Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Facebook:Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°834 01 Ntwarante 2025

## Abigeme 7 baraye baronkejwe umwambaro w'umuryango



Inyuma yo kuronswa umwambaro w'umuryango ugizwe n'ikanzu, umwitwikiro, umukanda n'umudari, umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt ku wa 23 Ruhuhuma 2025 muri paruwase Mutumba, uwo muryango warungutse abanovisi 7 ari bo:

- AKIMANA Yvette avuka muri paruwase Bukirasazi diyoseze Gitega,
- NZOMO Damaris Kanini avuka muri paruwase Thatha mu gihugu ca Kenya,

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Impundu nyabubiri yaraye isamiranye i Mugera

Ku wa 15/02/2025, muri paruwase Mugera ya Diyoseze Nkuru ya Gitega, impundu nyabubiri yarasamiranye. Nkako, habaye kwugurura Yubile y'imyaka ijana y'iyatirwa ry'abasaserdoti babiri bambere b'Abarundi hamwe n'itanguzwa ry'iseminari y'i Mugera yitiriwe Umuryango Mweranda w'i Nazareti.

Abo basaserdoti bambere, imvukira za misiyoni yambere, ya Mugera ni Patiri Emile Ngendagende na Patirisi Ntidendereza, batiwe ku wa 19/12/1925 i Mugera nyene ; iseminari na yo itangira ku wa 11/02/1926.

Musenyeri Yuliyano Goruji, Icariho ca Papa mu Ntara y'Ubutumwa y'i Burundi kuva mu 1922-1937, ni we yabatiye, atanguza n'iyo seminari.

Ku musi w'urubanza rero, abungere b'Ekleziya iri i Burundi, barongowe n'intumwa ya Papa Musenyeri Diyodone Datonou, isinzi ry'abasaserdoti bakomoka mu Burundi bwose, bamwe mu baserukira intwaro, abihayimana, abakristu akabi, barakubise harazima mu birori vyabereye mu ngoro y'Imana y'i Mugera.

Mw'isengero hari hiharijwe n'abasaserdoti, abihayimana n'abaririmvyi, abandi bakristu bari babateguriye imbere, impande n'inyuma y'isen-

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

- Urugo rwirimizi, ishingiro ryo kubungabunga ikirere n'isi ndimwa........7
- Ikinyabutabire Mercure coba gifise ingaruka mbi ku bidukikije?................8
- .Abatakaje ibintu mu magume yo 1972 n'inyuma yaho bazobisubizwa.......9
- Uburenganzira bw'abakenyezi bafunzwe.........................................................10

# Idominika ya mbere y'Ikarema: *Umwaka C*

**Igisomwa ca mbere:** Amategeko : 26, 4-10

(Ukwemera kw'igihugu c'Imana Israeli)

Musa yabwiye ishengero ry'abanyisraeli ati: « Niwahereza ivyimburwa vya mbere, Umusaserdoti azokwakira igisimbo birimwo, agitereke ku ruhimbi rw'Umukama Imana yawe, hanyuma uvuge imbere y'Umukama Imana yawe ati : 'Sokuru yari umunyarameyani w'umwangazi, yamanutse mu gihugu ca Misiri, ahahungira ari kumwe n'abantu imparurwa ; ntiyari bwarondoke gushika aho abantu biwe basagarara, bakaba igihugu gikomeye. hanyuma abanyamisiri baraheza baducura bufuni na buhoro, baratugirira nabi batugira abaja. Niho twatakambira Umukama Imana ya basokuru. Umukama araheza adutega yompi, aribonera ayo tugowe, amaganya yacu n'agahahazo batwicisha. Umukama aca aramvura ukuboko kwiwe rubasha vyose, adukura mu Misiri, akora ibitangaza vyinshi n'imenyetso ziteye ubwoba. Yaratuzanye gushika aha, atugabira iki gihugu gitembamwo amata n'ubuki. None rero Mukama, ndagushikaniye umwaka w'ivyo nimbuye mw'itongo wampaye.'

Hanyuma uheze ubitereke imbere y'Imana yawe, ukubite ibipfukamiro imbere y'Umukama Imana yawe. »

**Igisomwa ca kabiri:** Abanyaroma: 10, 8- 13

Ivyo dusoma mw'ibaruwa Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma :

(Ukwemera muri Yezu Kristu )

Ncuti zanje :

Mu Bitabu Vyeranda handitswe ngo : « Ijambo riri hafi yawe rwose, riri mu kanwa kawe no mu mushaha wawe. » Iryo jambo ni ya Nkuru nziza y'ukwemera duhora tubigisha. Nkako, niwaba wemeza n'umutima wawe ko Yezu ari Umukama, ukemera mu mutima wawe ko Imana yamuzuye mu bapfuye, uzokira. Kuko uwemera n'umushaha wiwe wose aca aba intungane, nawe uwubiserura mu mvugo, aba ashikiriye ubukiriro.

Kukaba nkako, Ibitabu bivuga ngo : Ku munsi w'urubanza, nta n'umwe mu bamwemera azoteterwa. Nta gitandukanya umuyahudi n'umugreki kiriho : bose basangiye Umukama umwe, we agabira abamwambaza bose. Handitswe kandi ngo : Umuntu wese yambaza izina ry'Umukama, azokira.

## Inkuru nziza: Luka : 4, 1– 13

**Ijambo ryawe ni ukuri Mukama. Itegeko ryawe na ryo ni ubukiriro**

-Umuntu ntatungwa n'indya gusa, aratungwa n'ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana

**Ijambo ryawe ni ukuri Mukama. Itegeko ryawe na ryo ni ubukiriro**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Luka :

(Mutima amujana mu gahinga araheza arageragezwa na shetani)

Yezu yuzuye Mutima mweranda, ava kuri yorodani, Mutima amujana mu gahinga, ahamara iminsi mirongo ine ageragezwa na shetani. Muri iyo minsi, ntaco yageza ku munwa ; ngo ize guhera, arasonza. Shetani imubwira iti ; « Niwaba uri umwana w'Imana, bwiriza iryo buye ricike umukate. » Yezu yishura ati : « handitswe ngo : Umuntu ntatungwa n'indya gusa. »

Shetani yongera kumujana ku gasozi karekare, imwereka intara zose z'abami b'isi, imubwira iti : « Ndaguhereza ubwo bubasha bwose n'ubuninahazwa bwaho bwose, kuko nabuhawe ndabuhereza uwo nshatse ; niwapfukama imbere yanje, buzoba rwawe bwose. »

Yezu, mu kuyishura, ayibwira ati : « Handitswe ngo : Uzosenga Umukama Imana yawe, uyikorere yo nsa. »
Shetani yongera kumujana i Yeruzalemu, imutereke kw'isunzu ry'igisengero, imubwira iti : « Niwaba uri Umwana w'Imana, niwikororere hasi, kuko handitswe ngo : 'Azotegeka Abamarayika biwe ngo bakurinde.' Kandi ngo : 'Bazoguterura mu minwe yabo, woye gutsitaza ikirenge kw'ibuye. »

Yezu, mu kuyishura, ayibwira ati : « Handitswe ngo : Ntuze ugerageze Umukama Imana yawe. »

Irangije kumugerageza mu buryo bwose, shetani imuva iruhande gusika igihe cagenwe.

# Ni kuki Yezu yarinze guca mu nzira y'Umusaraba?

Mu kwemera kwacu, tugaragaza ko Yezu Kristu, Umwana w'Imana yigize umuntu... Yababaye kuri Ponsiyo Pilato, abambwa ku musaraba, arababara arapfa, arahambwa. Ariko ntiyahereje mu rupfu.

Data yaramuzuye mu bapfuye ku musi ugira gatatu. Yinjira mu buninahazwa yamanye kuva isi itararemwa. None ni kuki Umukama Yezu yemeye guca mu bubabare bw'Umusaraba gushika no mu rupfu ?

**1. Ni kuki Yezu yarinze guca mu magorwa yo ku musaraba ?**

Yarigize umuntu, kugira ngo arangure umuhango w'Imana wo gukiza abantu igicumuro n'urupfu. Yagize ati: « Ni muze mwebwe mwese murushe kandi muremerewe, nzobaruhurira. Ni mwiremeke umutwaro wanje (…), niho muzoronka akaruhuko k'imitima yanyu… Umutwaro wanje nturemereye kandi umuzigo wanje urahwahutse » (Matayo 11, 28-30).

None rero, Umwana w'Imana yarigize umuntu, ngo natwe abantu tugire ubuntu, duhinduke, tube ab'Imana babushitse. Amagorwa yabonye mu kubabara no mu gupfa kwiwe ku Musaraba, kwari ukugira ngo yiremeke imitwaro ituvunagura ; artyorore ububi n'ububisha bw'umuntu ; abe isoko ry'urukiza.

We nyene ubwiwe, yari yaburiye abigishwa biwe ko azoja i Yeruzalemu, agacirwa urubanza n'abashingantahe n'abakuru b'abasaserdoti, akicwa, ariko umusi ugira gatatu akazuka mu bapfuye (raba Matayo 16, 21 ; 17, 22 ; 20, 17-19 ; Mariko 9, 9-10).

Izo mburizi, zibutsa ivyo umuhanuzi Izaya yari yarabuye vyerekeye wa Musuku w'Umukama azobabara, akamaramazwa, akagirirwa nabi nka kumwe kw'intama batwara kw'ibagiro (raba Izaya 52, 13 – 53, 12).

Ni We Kristu yabambwe ku Musaraba, ariko akaba ari We Musaserdoti yemeye kubabarana natwe mu magara make yacu. Yabaye nkatwe muri vyose ndetse igicumuro, kugira ngo tugirirwe ikigongwe. Yabereye rero abagamburuka bose isoko ry'ubukiriro (raba Abahebreyi 4, 14-16 ; 5, 7-9).

Igihe yakebukana na Nikodemu mu gicugu, yaramuhishutse kandi iryo banga rimwerekeye, ko azoba urukiza kuri bose mu kumanikwa ku Musaraba, ati : « Nk'uko Musa yamanitse inzoka mu bugaragwa, ni ko n'Umwana w'Umuntu abwirizwa kumanikwa, kugira ngo uwumwemera wese aronke ubuzima budahera » (Yohani 3, 14-15 ; raba Iharura 21, 4-9).

Umusaraba Yezu yamanitsweko, turawurangamira, tukawihweza dufise ukwemera, tuzi ko wabaye inzira ya Kristu yo kuducungura, natwe tugakira. «Ninamara kumanikwa, abantu bo-se nzobiyegereza ».

Yaricishije bugufi mu kwigira umuntu. Yaremeye arababara gushika no mu rupfu rwo ku Musaraba… Mu buninahazwa bw'izuka, yashizwe hejuru ya vyose… kugira ngo abantu bose bamusenge, bamenyeshe ko Yezu Kristu ari Umukama mu buninazwa bwa Se (raba Abanyafilipi 2, 6-11).

Ariko iyo nzira n'inyifato ruto yerekanye, ntivyabujije ko yabaye uburyo Imana yakoresheje ngo yimike Kristu nk'Umwami w'ijuru n'isi, Umwami wa bose na vyose. Yarabihishutse imbere y'intahe ya Pilato (raba Yohani 18, 36-37).

Ku Musaraba wa Yezu, Pilato araheza yandikisha urwandiko rwerekana ico bamubambiye, ngo: « Yezu, Umunyanazareti, Umwami w'Abayuda », ni co bisigura za ndome zine ziri ku Musaraba : INRI = ***Iesus Nazarenus Rex Iudaeorum = Jésus, le Nazaréen, le Roi des Juifs*** (Yohani 19, 19).

**2. Inzira y'umusaraba, ni inzira y'urukiza.**

Inzira y'Umusaraba ya Kristu, Umwana w'Imana, ni inzira ishikana ku rukiza. N'aho bamumaramaje, agaharurwa mu bagarariji (raba Luka 22, 37 ; Izaya53, 12), ku Musaraba ni ho yaranguye igikorwa gihimbaye c'urukiza rw'abantu. Ukubambwa ku giti, kera cari ikimenyetso c'umuvumo w'Imana (raba Amategeko 21, 22-23). None Kristu yamanitswe ku giti ngo adukize umuvumo w'itegeko, mu kuba umuvumo nyene ku bwacu (Abanyagalati 3, 13).

Icari ikimenyetso c'urupfu n'umuvumo, kitubera ikimenyetso c'umwizero n'ubuzima. Ni igiti nyaco c'ubuzima (Amamuko 2, 9), aho Kristu yabambiye ya nzoka y'inyosha mbi yahenda Adamu na Heva, igiti c'urukundo Imana yakunze abantu.

Ivyabaye ku wa Gatanu Mweranda – ndetse mbere ivyo dushemeza vyose mu Ndwi Nyeranda, aho twibuka amabanga y'icungurwa ryacu – vyerekeye wa muhango Imana yatanze kuva kera, kuva mbere aho Adamu na Heva bacumuriye, wo kutubohora akabi kose.

Nkako, ishikanwa ry'ubuzima bwiwe Yezu yatanze ku Musaraba, ni ryo ryabaye iciru c'ibicumuro vy'abantu. Ni ryo ryazaniye isi urukiza.

Ku Musaraba ni ho yatunganiriza isinzi ry'abantu, mu kwiremeka ivyaha vyabo (raba Izaya 53, 11-12). Eka, yarakunze abantu urutiziganya, aherezako (Yohani 13, 1). Nico gituma Umusaraba ari ikimenyetso c'amizero yacu (CEC 615-617). Uraheza ukaba n'ikimenyetso c'ubwiza n'ubuntu bw'Imana.

**3. Umusaraba, ni Inkuru nziza ku bantu.**

Kenshi dukunda kwitiranya umusaraba n'ingorane canke amagorwa n'amarushwa bishikira

*Ibik. urup.6*

# Impundu nyabubiri yaraye isamiranye i Mugera

(Bitangurira ku rup. 1

gero.

Urugendo rwashogomanze ruva kw'ishure ryisumbuye ry'i Mugera riri hafi ya paruwasi.

Nyenicubahiro intumwa ya Papa ni we yarongoye inkuka y'Ukaristiya akikijwe n'abepiskopi bose baragijwe Ekleziya iri mu Burundi.

Mu ntango, yarashikirije indamutso y'umuvyeyi wacu papa atako aramenyesha abasaserdoti ko Papa abasabira kandi abifurije n'umusi mukuru mwiza wa Yubile kugira ngo ubabere akaryo k'ukwivugurura mu bunywanyi bafitaniye na Kristu Umusaserdoti mukuru.

Mu nyigisho yiwe yashimikiye kw'itorwa rya Samuweli.

Yarerekanye ko itorwa ryose ari ingabire ikomoka ku Mana yama igira intambwe yambere, igatora uwo ishatse, aho ishakiye, igaheza ikamushinga ubutumwa mu gihugu cayo.

Iryo torwa, nk'ingabire, risaba kwama turikenguruka uko bukeye uko bwije ari nako «turyama isazi» kugira ngo turitware neza.

Yaboneyeho akaryo ko gukengurukira abamisiyonari bambere bo kwa Karidinali Lavijeri batumenyesheje Inkuru nziza bakadukundisha n'ibanga ry'ubusaseridoti.

Ntiyibagiye gukeza no gukengurukira abasaseridoti ku butumwa barangura, yongera abatumirira guhimbarwa n'iryo banga, mu kuribungabunga ku neza y'igihugu c'Imana, bakabigira bahanze Kristu Mizero atazeruka yacu. Yabahamagariye kuba «abasangirarugendo kubw'ukwizigira. »

Imbere y'umuhezagiro, Umwepiskopi mukuru w'i Gitega, kw'izina ry'abagenzi biwe basangiye inama y'abepisikopi Gatolika b'i Burundi, ntiyatanzwe no gushimira Imana, soko ry'imihezagiro yose, abasaseridoti bamisiyonari bambere, abatuboneye izuba muri iryo banga, hamwe n'abari bitavye urwo rubanza basangiye iteka rimwe ; yarabakengurukiye k'ukwitanga kwabo aboneraho no kubaremesha ngo ntibatezure mu kugendera iryo teka n'ibanga.

Yarateye akamo abakristu balayiki n'abihayimana ko bokwama basabira abasaserdoti babo. Imbere yo gusozera ijambo yaratumiriye abasaseridoti kuzokwitaba ku bwinshi amasango yo kwugara izo yubile azoba mu mezi ari imbere. Yubile y'ubusaseridoti ni ku wa 28/12/2025 ; iy'iseminari ni ku wa 14/02/2026.

**Ihimbazwa ry'iyo Yubile rihuriranye n'igenwa ry'Abungere babiri bashasha muri Ekleziya y'i Burundi**

Intyumwa ya Papa, imbere yo gusozera Inkuka y'imisa atanga n' umuhezagiro ushishiriye indulujensiya ya rwose ya yubile yarasamirije agakuru keza kahimbaye igihugu c'Imana gishashe mu Burundi : Umuvyeyi wacu Papa yaratoreye Musenyeri Léonidas Nitereka, wa Diyoseze ya Bururi, kuba Umwungere bwegu wa Diyoseze ya Rutana.



Yahora ari Icegera c'Umwepiskopi wa Diyoseze ya Bururi akaraba n'ibiro Nshingwabutumwa vya Diyoseze.

Si uyo gusa ! Papa yaratoye Patiri Emmanuel Ntakarutimana wo mu



Muryango w'Abadominikani, akaba avuka muri Diyoseze Nkuru ya Gitega ngo aze aramutswe Diyoseze ya Bubanza ; yarangurira ubutumwa mu Nama y'Abepiskopi ajejwe kwiga ishingwa rya kaminuza Gatolika y'i Burundi (UCABU).

Amashi menshi, yuzuye urweze, y'ubukengurutsi yaciye akomerwa Imana nabo babonerwaho ! Ego cane kuko hari haciye igihe amadiyoseze ya Bubanza na Rutana atagira abungere bwegu.

Yunganirwa n'abepiskopi bahagarariye Papa. Rutana yari Musenyeri Bonaventura Nahimana, aragijwe diyoseze Nkuru ya Gitega ; Bubanza na yo yarabwa na Musenyeri Joriji Bizimana, umwepiskopi wa Ngozi.

Ikindi cahimbaye abatari bake ni uko Ekleziya iri i Burundi yaheruka Umwepiskopi ava mu muryanga w'abihebeyimana kuri Musenyeri Andreya Makarakiza yahoze arongoye Diyoseze nkuru ya Gitega. Yari mu Bapatiri Bera.

Bisubiye, twari tumenyereye kenshi ko Papa atora abungere mu bigisha b'Amaseminari makuru; yamara yerekanye ko hose ari ah'Imana, ataho yimiriwe. Vyarahimbaye kandi kubona abo bungere babonekera rimwe.

Ni nde atotangara ngo ahimbarwe kandi nokubona Yubile y'Imfura mu busaserdidoti ihurirana n'iy'iseminari isanzwe ifise umuhamagaro wo kurera abasaserdoti b'ejo !
Vyabaye amata avyaye amavuta !
Ivyo ni vyiza vy'Ekleziya tugabanye muri uyu mwaka wa yubile y'Umwizero udatetereza.

*Patiri Bujeni Nsanzerugeze*

# Abigeme 7 baraye baronkejwe umwambaro w'umuryango

(Bitangurira ku rup. 1

- NIYOKWIZERA Eliane avuka muri paruwase Gihofi diyoseze Rutana,
- NIYONGERE Gentillesse avuka muri paruwase Bururi diyoseze Bururi,
- NDUWAYEZU Pascasia avuka muri paruwase Busiga diyoseze Ngozi,
- NISHISHIKARE Jeanne avuka muri paruwase Rushanga diyoseze Gitega,
- NIYONGERE Esperance avuka muri paruwase Cankuzo diyoseze Ruyigi.



Ivyo birori vyatanguwe n'urugendo ruva kugasengero k'amizero k'umuryango w'abo babikira rugana mu ngoro y'Imana ya paruwase Mutumba birongowe n'Umwungere wa diyoseze nkuru ya Bujumbura.

Mu kwitsa Ijambo ry'Imana, musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa,



ati : "Uwutowe n'Imana ngo ayihebere, abwirizwa kugira umutima wagu-tse utagera ingere ku yindi, umutima wishura ineza ku kibi wakorewe nk'uko Yezu abidusaba gukunda abansi bacu, kugirira neza abatwanka, guhezagira abatuvuma no gusabira abatubeshera.

Uwutoranye ibanga ryo kwihebera Imana, aba abaye ikiremwa gishasha. Uwutorewe iryo banga kandi ni wa muntu aca yakira muri we akaranga k'ibwirizwa Yezu atwibutsa aciye mu Nkuru Nziza ya Luka 6, 31, aho agira ati : "Ico ushaka ko abandi bakugirira kibagirire nawe". Ubwo ninabwo butumwa batorewe.

Yoboneyeho guhamagarira abamaze kugabana iryo banga hamwe n'abakiri mu nzira kuba amatara yaka mu kurangwa n'urwo rukundo rutitwararika gusa kwirinda ikibi mugabo rurazwa ishinga n'ukurondera gukorera abandi iciza muri iyi si ya none turimwo.

Bamwe mu bo twashoboye kuganira, baremeza ko itorwa ryabo ahanini ryazananye mu murwi w'itorwa, bagasaba abavyeyi ko batobera intambamyi abana babo mu gihe babatuye iciyumviro co kwihebera Imana, nyabuna babafashe kurondera inzira yobashikana mw'ijuru.

Mama Mariya Anitha Barancira umwe mu babikira babanyamuryango ba Mariya wa Schoenstatt avuga ko, ironswa ry'umwambaro w'umuryango kuri abo bigeme 7, ari ikimenyetso cerekana ko binjiye icese mu nzu y'irerero ariyo novisiya, bakazohamara ikiringo c'imyaka 2 igabuwemwo ibice kabiri.

- Igice ca mbere kigizwe n'amezi 6 yo kwiherera mu buryo budasanzwe (Noviciat ferme),

- Igice ca kabiri kigizwe n'ayandi mezi 6, aho abo banovisi baheza bakaja mu bandi gukora ubutumwa, ariko bakabandanya bakurikirana inyigisho za novisiya (Noviciat semi ouvert),

- Igice ca nyuma kigizwe n'amezi 12, ico kiringo c'umwaka bakimara bariko bakora ubutumwa bongera kandi bakurikirana inyigisho za novisiya.

Nk'uko bavuga ko bashaka kuba Mariya mutoya mu butumwa bisunze akaranga mutima kabo, iyo myaka ibiri iheze, baca bagira indagano za mbere zimara umwaka umwe, maze bakabona gukora ubutumwa butandukanye nk'ababikira buzuye.

Nk'uko mubabona kwifoto rero, bambara nk'ababikira buzuye bamaze kugabana iryo banga, uwutabazi ntiyokwibaza ko ari abanovisi.

Abo banovisi hamwe n'ababikira bamaze kugabana iryo banga batandukaniye kukungene bambara imidari. Abanovisi bambara umudari uriko ishenete mu gihe abamaze kugabana ibanga umudari uba ufashe ku mpuzu mu muhogo.

Mwomenya ko, uko uwo muryango utunganjijwe, igice c'ubunovisi kugira bakironswe babanza kuba abapostilanti ikiringo c'amezi 6.

**Chanel HARINGANJI**

# Ni kuki Yezu yarinze guca mu nzira y'umusaraba?

(Bitangurira ku rup.3

abantu. Koko, inzira y'Umusaraba y'Umukama Yezu, yari inzira y'ububabare n'amagorwa atavugwa. Ariko burya, «Amagorwa arigisha!» Amagorwa arakuza! Amagorwa arakomeza! N'umutumwa Yakobo arabivuga, ati : « Ni mwakirane akanyamuneza ibibageza vyose, igihe bishaka kubarwako mu buryo bwinshi, mumenye yuko ibigeramiye ukwemera kwanyu bibatera kwiyumanganya, ariko ubwo bwiyumanganyi bubatuma gukora igikorwa gishemeye, kugira ngo mube abantu babushitse kandi buzuye, batagira amahinyu no mu kantu na gatoyi » (Yakobo 1, 2-4).

Mu kubabara kwiwe, Umukama yaremeye kuvunagurwa n'amagorwa, ngo yiremeke ivyaha vyacu. Yatwigishije natwe kurinda n'ukwakira ibitubabaza, ibitugerageza, eka ibitugora vy'ubuzima bwacu, ngo tuvyakire kandi tubitware mu kwemera. Yatwigishije « Kugira umutima rugabo muri rwa rugamba tugenewe, duhanze amaso Yezu, We soko n'urugero rushitse vy'ukwemera, We, n'aho yari yateguriwe akanyamuneza, yemeye umusaraba, ntarabe iceyi utera, hanyuma akicara iburyo bw'intebe y'Imana » (Abahebreyi 12, 1b-3). Kandi burya, « Amagorwa y'iki gihe turimwo, ntaho ahuriye n'ubuninahazwa tuzohishurirwa » Abanyaroma 8, 18).

None rero, umusaraba uratwigisha ubutwari n'ubwiyumanganyi. Umusaraba uraducira inzira y'urweze no mu bihe vy'ingorane. « Uwushaka kungendanira, ni yihebe, yikorere umusaraba wiwe wa buri musi, ankurikire » (Luka 9, 23).

Igihe twihweza Umusaraba umanitse mu Ngoro y'Imana, canke mu nzu iwacu, canke ahandi ; igihe twambara uwo musaraba canke tukawandika ku mubiri wacu, turaheza tukawubonamwo iyo Nkuru Nziza y'Ubuzima bw'abakristu. Si ikigirwamana canke ikigereranyo. Ni incamake y'Injiri y'urukiza rwacu n'icungurwa ryacu.

Turaheza tukawubonamwo rya riba ry'urukundo n'ikigongwe Imana yatweretse, ikaritwegereza, ngo twame tuza kuhavomana akanyamuneza (Prefasi y'Umushaha wa Yezu).

Petero aratwibutsa agaciro k'iryo Sôko ry'urukiza agira ati : « Itunga rishira nk'ifeza canke inzahabu si ryo ryabacunguye ngo muve mu migenzo y'imburakimazi… ariko mwacungujwe amaraso y'igiciro ntangere ya Kristu… » (1 Petero 1, 18-18). Kubw'ayo maraso Umukama Yezu yasheshe ku musaraba, inabi n'igicumro birahanagurwa, uruhome rw'urwanko n'ububisha rurasenyuka, Imana yariyujurije abantu (raba Abanyefezi 2, 13-16 ; Abanyakolosi 1, 20-22).

«Tweho tumenyesha Kristu yabambwe ku Musaraba. Ku Bayuda ni igitsitaza, ku banyamahanga na ho ni ubujuju, ariko ku batowe, mu Bayuda no mu Bagreki, ni We Kristu, ububasha bw'Imana n'ubwitonzi bw'Imana » (1 Abanyakorenti 1, 23-24)

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Imana ni yo Muvyeyi arengeye abandi bavyeyi bose

Urukundo rw'Imana ntaco tworugereranya. Kumwe umuvyeyi yitwararika abana biwe umw'umwe mw'izina ryiwe, niko Imana yitwararika umuntu wese. Na none umwe wese imukunda urukundo yiharije. Imana yo ni Muvyeyi arengeye abandi bavyeyi bose kuko ubuvyeyi bwose bwamuka kuri yo.

Muti ivyo vyo bije gute ? Ico ciyumviro cerekeye ca gihe c'ikarema tumaze imisi mikeyi dutanguye. Ni igihe Umukirisu araba kandi azirikana nk'ingabirano y'Imana. Igihe nk'iki kitwibutsa y'uko uru rugendo rugana heza kandi ko icungurwa ryacu ari igikorwa c'Imana c'agatangaza. Raba ingene Yezu yavuye ku ntebe y'Ubwami akaza ng'aha kw'isi ata kindi kimuzanye atari ugukiza umuntu urupfu rw'akagirire.

Ivyo yabigize mu gusesa amaraso yiwe y'igiciro ntangere yarokoye isinzi ry'abantu kandi yatagatifuje n'ubu atagatifuza uwo wese yirukiye imbabazi z'Umukama.

Umukama aragutumiriye rero kudapfisha ubusa iki gihe, kandi iki gihe nyene ntikizogusige uko cagusanze. Raba inzira zose Yezu yaciyemwo mu gushika ku Kalvariyo aho yasanza amaboko ku Musaraba ngo asubize iteka abantu bari biyambuye.

Iryo teka Yezu yaduteye ni iryo gukenguruka kuko Umukama yagukunze ukiri umunyabicumuro. Aho niho umuntu yozirikana ko vy'ukuri yakunzwe urutagira ingero akamana umutima witwararika abandi, cane cane abagowe kuruta abandi. Komeza urugendo watanguye muvukanyi ntugire intege nke.

Si ivyo gusa, hari n'ijwi rivugira mu mutima riti hinduka, hindura imigenzo mibi, ikwize ukuri, urukundo n'ubutungane, heba ivyo vyose biguca ku Mana, rangura amabwirizwa y'Imana. Ng'ico igikorwa c'ikarema kiturindiriye.

Ntiwitinye rero, tegura umutima wawe winjirane na Yezu mu nzira y'umusaraba, umare iyo minsi myeranda y'ugusenga n'ukwisuzuma n'ukwisonzesha kugira ngo ushikire uguhinduka nyakuri.

Ikarema nziza mwese.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Urugo rwirimizi, ishingiro ryo kubungabunga ikirere n'isi ndimwa

Mu gihugu cacu, haribonekeza cane ibimenyetso vy'ihindagurika ry'ikirere. Abakenyezi n'abigeme na cane cane abirimizi nibo bagira ingorane nyinshi mu gihe habaye impinduka zivuye kuri iryo hindagurika nk'uruzuba, imvura nyinshi, itituka ry'isi ndimwa, imyuzururira n'ibindi. Abashingantahe n'abasore habaye izo mpinduka benshi barabangukirwa no kwunguruza. Uri aho bagiye mu bisagara, abandi mu mahanga bagasiga abakenyezi babo i muhira batunganya ivy'urugo. Nico gituma hari imiryango yamaze kwiha ihangiro ryo guhangana n'ihindagurika ry'ikirere uko bashoboye kwose mu gukingira isi ndimwa.

Mu nyigisho yatanzwe na Mariya Berenadeta Hakizimana umuhinga mu bijanye n'ihindagurika ry'ikirere ku bamenyeshamakuru ku wa 30 Nzero 2025 mu gihe bari mu vyirwa nkarishabwenge kw'ihindagurika ry'ikirere n'icokorwa ngo habe guhangana na ryo, arerekana ibimenyetso bigaragaza iryo hindagurika: « ubushuhe burenze, ukwongerekana kw'amazi yo mu biyaga, ukwishika kw'imisozi, itituka ry'isi ndimwa, uruzuba n'imyuzurira. »

Papa Fransisiko nawe mw'ikete «Laudato Si» yanditse ku wa 15 Ntwarante 2015, ahamagarira abakristu n'abandi bantu bose bafise ishaka ryo kugira ico bakoze ngo bagarukire isi yacu, inzu dusangiye twese. Mu gice caryo ca mbere arerekana ibibera kw'isi bituma haba iryo hindagurika. Muri ivyo aravuga imicafu, uguhera kw'amasôko y'amazi, ukugabanuka kw'amashamba n'ibikoko hamwe n'itituka ry'agateka ka muntu. Muri iryo kete, Papa arerekana ko inkurikizi ziheza zikarwa ku bakene. Muri abo bakene, umukenyezi akaza ubwa mbere.

**N'abarundi birimizi baramaze kubona ko ibintu vyahindutse**

Mu kiganiro twagiriraniye n'umuryango wa Melikiyori Ryumeko na Suzana Habonimana wo ku musozi Gatwe muri Komine Nyabihanga intara ya Mwaro ku wa 20 Ruhuhuma 2025 ku bijanye n'ihindagurika ry'ikirere rituma isi ndimwa itituka, umushingantahe Melikiyori aremeza ko iki gihe isi ndimwa yatitutse, uruzuba rukaza rusongera isibe mu gihe muri iyo Komine yahora imera cane kandi ubushuhe bukaba bwahora bw'umvikana gusa mu gihe c'ici.

Avuga ati: « Uko gutituka kw'isi ndimwa bifise inkurikizi nyishi kw'iterambere ry'urugo kuko kugira ngo uronke umwimbu bisaba umwavu mwinshi. Mu miryango itagira amikoro ntibaronke umwavu, bagatera muri iyo si yatitutse, ntibaheza ngo bimbure bishemeye. »




*Umuryango wa Merikiyori na Suzana bariko batera ibiti vy'ivyamwa mu ndimo zabo*

Umupfasoni Suzana nawe ati: « Uko gutera mw'ivu risa biratuma urugo rugira amikoro make. Ingorane hanini zikarwa kuri twebwe bakenyezi n'abana. Iyo umuvyeyi abuze ico agaburira abana hanini umukenyezi araruha gusumba umushingantahe. Izindi ngorane tugira ni ukubura ico twambara kuko udufaranga twoguze igitenge duherera kw'isoko gusuma. N'izindi ngorane nyishi ntovuga ziheza zikarwa kuri twebwe abakenyezi. »

**Mu miryango ntibareze amaboko imbere y'iryo hindagurika**

Urugo rwa Melekiyori na Suzana rwarigiriye ingingo yo guhangana n'iryo hindagurika. Inyuma yuko bagiye barakurikirana inyigisho zitangwa n'abafundi b'indimo n'ibiganiro bica ku maradiyo bijanye no guhangana n'ihindagurika ry'ikirere. Ihangiro ryabo ni ukugwiza ibiti bibana n'ibiterwa bikongera bigakingira isi bikanunganira mw'itunga ry'umuryango.
Aho twabasanze mu mirima yabo, twasanze bariko baratera ivyamwa vy'amavoka. Ni mu gihe ku rundi ruhande naho twahabona ibiti vy'amagereveriyo bisanzwe bizwi nk'ibiti bibana n'indimo.

Suzane Habonimana ati: «Twaravuganye n'umushingantahe wanje ko dutegerezwa kubera akarorero abandi mu gukinga inkukura ituma isi itituka no mu kurwiza ibiti bibana n'indimo kandi ngirakamaro mu buzima bw'urugo.»

Tubamenyeshe ko ababanyi b'abo batangarira cane umwete w'urwo rugo mu gukingira ibidukikije no mu kubungabunga isi ndimwa. Umushingantahe Micheli babangikanije indimo, ati: «Iyaba abantu b'inyabihanga bose bariko bakora nk'urugo rwa Merikiyori na Suzana, ntihosubiye kuvugwa inkukura n'itituka ry'isi ndimwa.»

***M S V Marie Goreth Ndikumana***

# Ikinyabutabire mercure coba gifise ingaruka mbi ku bidukikije? *(Ibikurikira)*

Nk'uko bivugwa na Ndayishimiye Lénilde umuyobozi w'ibidukikije n'ihindagurika ry'ibihe mu kigo c'igihugu kijejwe ibidukikije OBPE,



aremeza ko ari uburozi rwica ruhoze bubangamiye cane ibidukikije hadasigaye inyuma n'amagara y'abantu.

Asaba ashimitse abanyagihugu kurwanya bivuye inyuma ico kinyabusabire kuko si ikintu co kwiha-nganira namba. Agasaba ababijejwe kweregeraniriza hamwe ibikoresho vyose birimwo mercure mu ntumbero yo gukingira amagara y'abantu n'ibidukikije.

**Mbega amasezerano y'i Minamata avuga iki kuri ico kinyabutabire mercure?**

*Minamata ni iki?*

Minamata ni izinga ryo mu Buyapani. Ayo masezerano yaciye yitiririrwa iryo zinga Minamata kubera ariho habaye abantu benshi bagize ingaruka mbi ziturutse





*Iki ni ikinyabutabire «Mercure»*

kw'ikoreshwa ry'ico kinyabutabire mercure, abantu isinzi bagapfa.

Niho mu ntumbero yo gukingira amagara y'abantu hamwe n'ibidukikije, ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe gukingira ibidukikije rya-ca ryaca ryemeza ishirwaho ry'amasezerano yasinyiwe mu gisagara citwa Kumamoto mu gihugu c'Ubuyapani kw'igenekerezo rya 10 Gitugutu 2013, aca aja mu ngiro igenekerezo rya 16 Myandagaro 2017, ari naco gituma ayo masezerano yaciye yitiririrwa izinga rya Minamata kugira hazoze haribukwa inganda zahatikiriye kubera ubwo burozi mercure. N'ubwo biruko, umuntu wambere y'ishwe na me-rcure, yamenyekanye mu 1985 haraheze imyaka 40.

Aha mu Burundi, ayo masezerano yasinywe ku wa 14 Ruhuhuma 2014, aca yemezwa ku wa 26 Ntwarante 2021. Igihugu c'Uburundi kikaba kiri mu bihugu 147 bimaze gusinya ayo masezerano mpuzamakungu.

**Menya neza:** Kiretse amavuta yo kwisiga, ibindi bikoresho birimwo ikinyabutabire mercure bikiriko birakoreshwa ntakibazo bitera. Bigira ingaruka mbi iyo bitagikoreshwa.

***Chanel HARINGANJI***

# Twokwirinda dute indwara y'umutima?

Umutima uguma ukora igihe cose, haba ku mutaga canke mw'ijoro (amasaha mirongo ibiri n'ane ku munsi), upompa amaraso arimwo umwuka mwiza duhema (oxygène) n'ivyangombwa nkenerwa mu mubiri. Amaraso ashika mu mutima aciye mu mitsi mikuru.

Iyo abantu barya kenshi canke barya imfungurwa zirenze urugero zuzuye ibinure canke isukari nyinshi, hanyuma ntibagire imyimenyerezo yo kunonora imitsi, ibinure biraheza bikagwirirana mu mitsi mikuru. Iyo rero vyagwiriranye, birameneka bigaca bituma haba igipfunda c'amaraso. Ico gipfunda gituma amaraso atembera nabi nabi mu mitsi hanyuma ntashike mu mutima, akaba arivyo rero bitera indwara y'umutima yamaze abantu.

***Mu bitera indwara y'umutima hoba harimwo kudafungura mu gitondo.***

Indwara y'umutima n'indwara mu zikunze guterwa n'ibinure vyinshi mu mubiri canke igaterwa n'ukungene umuntu aba afise ingorane z'ubuzima, zikamugora kwihanganira, agaca aza arinyegeza mu gufungura umwanya wose kugira yiyibagize ingorane ziba zimubakiye.

Gufungura gusa no gufungura ibikwiye ku mwanya biratandukanye. Abantu ntibari bakwiye gufungura kugira baheze ibwirizwa, ariko bari bakwiye gufungura mu ntumbero yo kugira amagara meza.

***Gufungura ibikwiye bivuga iki ?***

Gufungura ibikwiye, ni ukuvuga ko mu mfungurwa dufungura hoba harimwo ivyunyunyu bikwiye.

Na vyo ni nka nsanganyangaburo, nta-nganguvu na ndemamubiri. Ikindi naco ni vyiza gufungura umwanya uzwi wo gufungurirako, ni miburiburi gufungura gatatu ku munsi. Bitabaye uko, hari ingaruka mbi zitari nke zishobora gukurikira ku magara yacu.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Abatakaje ibintu mu magume yo 1972 n'inyuma yaho bazobisubizwa

Imwe mu nkingi y'ubutungane bw'inyuma y'intambara ni ugushumbusha abahuye n'amakuba mu buryo butandukanye biturutse kubiba vyarashitse muri kahise k'aho hantu. Iyo niyo ntambwe umurwi w'igihugu ujejwe ukuri no kurekuriranira CVR ugezeko mu Burundi.

Nico gituma ku wa 25 Ruhuhuma 2025, uwo murwi wakoranije abari mu mashirahamwe y'abahuye n'ayo makuba kugira ngo basangire ikiyago banaterere ivyiyumviro vy'ingene ivyo bikorwa vy'intambwe nshasha ya CVR vyoranguka ku neza ya bose.

Nk'uko bishikirizwa na Petero Claveri Ndayicariye arongoye umurwi CVR, ibikorwa vyo gufatanya abahuye n'ibibazo hamwe n'ibintu vyabo ngo bisaba amatohoza arimwo ubwenge n'ubwitonzi bwinshi. Ati: «Twatumiye amashirahamwe y'abarundi kugira ngo muduterere ivyiyumviro vy'ingene twokora ayo matohoza, tukamenya ivyononekaye na benevyo, abanyazwe ibintu babisubizwe, ababa mubitari ivyabo nabo babisubize».

Kubwa Petero Claveri Ndayicariye, ngo birababaje kubona abana bavukira bagakurira mu bintu bitari ivyabo batabizi. Ico gikorwa ngo ni iyindi ntambwe yo kumenya ukuri, abakiri bato bamenye ukuri ku biberekeye.

**Umurwi CVR uzokorera ku mabi yasinzikaje Uburundi mu myaka itandukanye**

Ku kibazo benshi bamaze gushikiriza ngo yuko umurwi CVR woba wisunga ivyabaye mu 1972 gusa ariko ukirengagiza iyindi myaka, abagize uwo murwi bavuga ko ari ugushikuza. Ngo umurwi ugenda bukebuke ariko ntakiringo nakimwe utazokorerako kiri mubitegekanijwe mw'ibwirizwa rishiraho CVR mu Burundi.

Lea Pascasie Nzigamasabo, umunyamabanga w'umurwi CVR ati: « Kuva itariki 17 Ruhuhuma 2025, haratanguye amatohoza kuvyabaye muri Ntega-Marangara mu mwaka w'i 1988, kandi ivyo bikorwa bizobandanya no muyindi myaka.

Abafashe amajambo, bagaruka cane cane ku gisabo c'uko umurwi CVR wokora ibikorwa vyawo urondera gushika kucokorwa kugira ngo amabi n'ubwicanyi vyabaye mu Burundi ntibize bisubire.



Jumapili Adelar avuka mu ntara ya Muyinga w'imyaka 73 y'amavuka, ati: «Jewe amakuba yashikiye Uburundi mu mwaka w'i 1972 narayabonye kuko nari nkuze. Nari nshikanye imyaka 20. Ivyabaye biteye agahinda, vyari bibabaje cane. Ese Uburundi butosubira kugwa mw'isanganya ry'ubwicanyi.»

Kubwa Jumapili, ngo kudahana ihonyabwoko ni ugusasira indava ikibi. Yasavye ko igenekerezo rya 29 Ndamukiza, itariki yatanguriyeko ubwicanyi bwo mu 1972, yoba italiki ihimbazwa, ukaba umusi wo kuzirikana abarundi bahitanywe n'amakuba atandukanye.

Ku kijanye no gukinga ngo amakuba yashikiye Uburundi ntaze asubire, Lea Pascasie Nzigamasabo yasavye abari muri iyo nama ko bokwama bigisha amahoro aho bari hose, cane cane baganirize ibibondo vyabo bababwira ukuri kwububaka atari ukubarerana urwanko n'inzigo y'inzikira. Ati: «Abana bacu tubarage amahoro, tubarage igihugu kizira indyane n'amacakubiri, tubigishe guharira no kwubahiriza ubuzima bwa kiremwa muntu».

***Mélance NDAYIKEZE***

## Indongozi isanzwe n'indongozi y'imboneza zitandukaniye kuki?

Indongozi isanzwe iricara ikaja iyo bija gusa. Indongozi mwene iyo, yifata nk'umurezi w'umwana; amushira mu maboko gusa adashobora kumwonsa ngo umwana atere imbere. Indongozi nk'iyo, usanga ari imperekeza gusa, nta co imarira igihugu kuko nk'uko biri mw'ijambo ry'Imana, Impumyi ntirongora iyindi, ahandi hoho bogwa mu kinogo bose.

Indongozi y'imboneza, ni iyereka abo itwara iyo iriko irabajana, ikabereka inzira bakurikira n'ibikorwa bategerezwa gukora. Aha rero, abenegihugu mutegerezwa kuhakanurira, canecane muri iki gihe co kwitegurira amatora. Mwirinde abadandanji b'ibinyoma, babiyezako uno musi kandi ari imburakimazi. Muragabe, muze mutore indongozi z'imboneza.

# Uburenganzira bw'abakenyezi bapfunzwe

Umuntu wese iyo yakoze icaha arahanwa nk'uko amategeko abitegekanya. Umukenyezi co kimwe n'uwundi muntu wese arashobora gupfungwa ivy'agateganyo mu gihe c'amatohoza canke urubanza rwamaze kuba ntabanduka mu gihe yahanishijwe igihano co gupfungwa.



Ariko rero naho umuntu aba apfunzwe aguma afise uburenganzira bwo kwumvirizwa na sentare ibifitiye ububasha, kurondera umushingwamanza, gupfungirwa mu kibanza cagenewe abakenyezi, gufatwa runtu, n'ibindi.

Vyongeye abakenyezi bari mu mirwi idasanzwe y'abapfungwa ikeneye gukingirwa bivanye n'uko bamerewe, amagara yabo, ibihe baba barimwo (bibungenze canke bonsa).

Uburenganzira bw'abakenyezi bapfunzwe butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira.**

Uburenganzira bw'abakenyezi bapfunzwe butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye. Hari uburenganzira basangiye n'iyindi mirwi y'abapfungwa n'ubwo bisangije.

Tuja kwisunga ibiri mu ngingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zijanye n'ingene abapfunzwe bafatwa, mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu hamwe n'ibiri mu masezerano yerekeye uburenganzira bw'abakenyezi yunganira amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

*a) Mu ngingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zijanye n'ingene abapfunzwe bafatwa.*

Abakenyezi bibungenze n'abaheruka kwibaruka bategerezwa gukingirwa. Tubisanga mu ngingo ya 23 mu gace ka mbere kavuga ko, amabohero yagenewe abakenyezi, ategerezwa kuba yubatse ku buryo abakenyezi bibungenze n'abaheruka kwibaruka boroherezwa.

Ubuyobozi bw'ibohero butegerezwa gukora uko bushoboye kugira uwugeze kwibaruka ajanwe mu bitaro bitari ivy'ibohero.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu.*

Umuntu wese ata gucagura na kumwe arafise uburenganzira bwo gufatwa runtu naho yoba apfunzwe.

Bitegekanijwe n'ingingo y'10, mu gace kayo ka mbere, ivuga ko umuntu wese apfunzwe aba afise uburenganzira bwo gufatwa runtu kandi agahabwa agateka karanga zina muntu wese.

Ubu burenganzira ni ubw'umuntu wese apfunzwe ata n'umwe avuye mwo. Bisigura ko n'umukenyezi ubu burenganzira bumwerekeye.

*c) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.*

Umuntu wese yiketswe ko icaha ashobora gupfungwa mu gihe c'amatohoza kandi naho nyene aguma afise ivyo arekurirwa n'amategeko. Aha twovuga nko kurondera umushingwamanza amufasha kuburana kandi akaronswa n'akaryo k'ukwiregura kuri ivyo vyose yagirizwa.

Tubisanga mu ngingo y'7 ivuga ko " uwo wese apfunzwe urubanza rutaracika arekuriwe kwiregura no kurondera umushingwamanza amuburanira kandi agacirwa urubanza mu gihe giciriye hagufi".

Ubu burenganzira n'ubwa bantu bose bapfunzwe ata gucagura gufatiye ku gitsina.

Umuntu ari mw'ibohero arafise uburenganzira bwo gusengera aho ashatse mu gihe hariho aharenga hamwe mw'ibohero. Bitegekanijwe n'ingingo y'8 ivuga ko "umuntu wese afise umwidegemvyo mu vyiyumviro, mu gutora umwuga ashatse n'ugukurikira idini ashatse mu yari mw'ibohero".

Nk'uko twamaze kubivuga abakenyezi bapfunzwe barafise uburenganzira bahurirako n'abandi bapfungwa bose.

Nico gituma n'ubu burenganzira butegekani-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abakenyezi bapfunzwe

*(Bitangurira ku rup.10)*

jwe mu ngingo y'7 n'iy'8 bwerekeye abo bose bapfunzwe urubanza rutaracika n'abakenyezi buberekeye badasigaye inyuma.

*d) Mu masezerano yerekeye uburenganzira bw'abakenyezi yunganira amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.*

Umukenyezi canke umwigeme barafise uburenganzira bwo gukingirwa gufatwa ku nguvu n'aho boba bari mw'ibohero.

Tubisanga mu ngingo ya 12 mu gace ka mbere ku rudome c) irategekanya ko umukenyezi n'umwigeme bategerezwa gukingirwa aho bari hose hatibagiwe no mu mabohero, icaha co gusambanywa.

Abagore bibungenze n'abonsa bapfunzwe bategerezwa kwitabwaho bivanye n'uko amagara yabo yifashe. Bitegekanijwe mu ngingo ya 24 ivuga, mu gace kayo ka 2, ko abagore bibungenze canke bonsa bapfunzwe, bategerezwa gukingirwa no kuronswa uburyo bujanye n'ibihe baba barimwo kandi bakubahirizwa mu gateka kabo.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu arategekanya uburenganzira bw'abakenyezi bapfunzwe. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira.**

Uburenganzira bw'abakenyezi bapfunzwe buri mu mirwi ibiri nk'uko twabibonye no mu mategeko mpuzamakungu: hari ubwo basangiye n'abandi bapfungwa bose hamwe n'ubwo bisangije nk'abakenyezi.

Uburenganzira bw'abakenyezi bapfunzwe butegekanijwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi atandukanye.

Tuja kw'isunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro hamwe n'ibiri mw' itegeko n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 risubiramwo itunganywa ry'amabohero mu Burundi.

*a) Mw'Ibwirizwa Shingiro.*

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo ingingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zijanye n'ingene abapfunzwe bafatwa, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'u-buzima bw'igihugu, amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu hamwe n'amasezerano yerekeye uburenganzira bw'abakenyezi yunganira amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Ni ukuvuga ko ivyavuzwe muri ayo mategeko bijanye n'ubwo burenganzira vyinjijwe mu mategeko n'amabwirizwa y'Uburundi.

*b) Mw'itegeko n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 risubiramwo itunganywa ry'amabohero mu Burundi.*

Iri tegeko ritunganya amabohero riritegekanya mu ngingo ya 3 ko "abantu bose bapfunzwe bategerezwa gukingirwa ico cose cobasinzikariza ubuzima bari mw'ibohero canke cobatesha agaciro runtu mw'ibohero".

Iyi ngingo irerekana ko umuntu wese afise uburenganzira bwo gukingirwa ico cose comusinzikariza ubuzima mu gihe ari mw'ibohero. Ubu burenganzira n'umukenyezi apfunzwe buramwerekeye.

Abakenyezi bapfuzwe ni umwe mu mirwi y'abapfungwa uharirwa inyubakwa yawo kandi utegerezwa gufatwa mu buryo wisangije nk'uko tubisanga mu ngingo y'7 n'iya 45.

Iyo mirwi nayo ni uw'abakenyezi, uw'abana, uw'abageze mu zabukuru n'uw'abafise ubumuga bwo mu mutwe.

Abakenyezi n'aho baba bapfunzwe bagumana uburenganzira bwo gukingirwa kugira ntibakoreshwe ibikorwa birengeye inguvu zabo. Bitegekanijwe n'ingingo ya 46 ivuga ko "abakenyezi bapfunzwe bategerezwa gukingirwa gukoreshwa ibikorwa birengeye inguvu zabo canke ibibatesha ubuntu".

Abakenyezi bibungenze n'abonsa barafise uburenganzira bwo kworoherezwa n'ugufashwa mw'ibanga ryabo ryo kurera abo bana. Ingingo ya 47 ivuga ko "abakenyezi bibungenze n'abonsa bari mw'ibohero bategerezwa koroherezwa hisunzwe uwo mugwi barimwo kandi bategerezwa kumenyeshwa uburenganzira bwabo n'ubw'abana babo hamwe n'ivyo bategerezwa gukora nk'abavyeyi".

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abakenyezi bapfunzwe bagumana uburenganzira n'aho bataba bidegemvya.

Bategerezwa gukingirwa ivyo vyose vyoza bibasinzikariza ubuzima kandi bakaguma bafatwa runtu mu buryo bwubahiriza agateka kabo.

Hambavu y'uburenganzira bahurirako n'abandi bapfungwa, abakenyezi bagize umurwi udasanzwe w'abapfungwa.

Abibungenze n'abonsa bategerezwa kuronswa akarusho mu bifungurwa kugira amagara yabo ntamarerwe nabi kandi abakenyezi bapfunzwe bose muri rusangi baratandukanywa n'abagabo mu nzu y'ibohero.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Yubire y'abasirikare n'abajejwe umutekano i Roma.

Ku wa 8 -9 Ruhuhuma 2025 abasirikare n'abajejwe umutekano bashika 30000 nibo bari baje mu rugendo rweranda i Roma mu ntumbero yo guhimbaza yubire yi 2025 y'Umucunguzi.

Urwo rugendo rukaba rwababafashije gusenga, guhura n'abandi no kuruhukira mu Mana ngo bashobore kuba vyukuri abaharanira amahoro. Mu gihe mu bihugu bitari bike birimwo intambara, urwo rugendo ruzobafasha gutsimbatariza ukwizigira kwabo kuri Yezu Kristu, bakihambiriira kumenyesha Umwami w'Amahoro aho bari hose.

Urwo rugendo ruri mu rukurikirane rw'izindi ngendo mu mirwi itandukanye zizobera i Roma mu gufasha abakristu guhimbaza neza Yubile y'Umucunguzi ya 2025 muri Ekleziya.

**Ingene urwo rugendo rwatunganijwe.**

Ku wa 8 Ruhuhuma 2025, imbere y'umutaga, abasirikare n'abajejwe umutekano baciye mu muryango w'ikigongwe wuguruwe ku wa 24 Kigarama 2024 na Papa Fransisiko mw'isengero nkuru yitiriwe Petero mweranda. Bongera bahabwa isakramentu ry'ikigongwe. Inyuma y'umutaga kabaye akaryo ko kwiginana.

Ku wa 9 Ruhuhuma 2025, Papa Fransisiko yarahereje inkuka ya misa yo gusozera urwo rugendo. Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, yashimikiye kw'ijambo ry'Imana Ekleziya yategekanije kw'idominika igira gatanu yo mu mwaka, dusanga kwa Luka 5, 1-11.

Muri iryo jambo Luka yigana ingene ku nkengera y'ikiyaga ca Genezareti, Yezu yarakikijwe n'ishengero ryabandana ngo ryumvirize ijambo ry'Imana. Yezu abonye ubwato bubiri yurira muri bumwe bukaba bwari ubwa Simoni. Yezu aramwinginga ngo asoze gatoyi bave ku nkombe. Araheza aricara atangura kwigisha rya shengero.

Ahejeje abwira Simoni ngo yigize ubwato ahari amazi menshi ngo aheze arobe. Simoni amubarira ko baraye bararoba ijoro ryose barabura. Ariko kubera umwizero amufiseko, araheza yigira ahari amazi menshi araterera urusenga. Aca afata imfi nyinshi n'urusenga rwabo rutangura gushwanyuka.

**Afatiye kuri ico kigabane, Papa arerekana inyifato zitatu za Yezu.**

Ubwa mbere: Yezu arabona. Mu gihe ishengero ryamubandanirako, banyotewe ijambo aribwira ryuzuye ubwitonzi, Yezu yakubitije akajisho ku barovyi bihebuye kuko bari baraye bararoba ijoro ryose barabura. Arategera ingene bababaye, imitima yabo igaragara nk'isenga zabo.



Papa Fransisko ariko araramukanya n'abasirikare baje mu rugendo rweranda i Roma

Ubwa kabiri :Yezu yurira ubwato. Yezu aratera intambwe. Umutima wiwe ntiwagumye wugaranywe n'umubabaro no gutinya abo barovyi bari baburaniwe. Yaragiye agana ubwato bwa Simoni aramusaba arabwurira. Umubabaro wa Simoni awugira rwiwe.

Ubwa gatatu: Yezu aricara arigisha. Yezu yarigishije amenyesha inkuru nziza. Arabereka ko naho womenga vyose vyase, umwizero uracahari. Arasaba Simoni kwigiza ubwato ahari amazi menshi. Araheza araroba aronka imfi nyinshi. Akanyamuneza n'umwizero vyari vyagiye biragaruka. Uwuri kumwe na Kristu, agarukana umwizero.

Papa Fransisiko yerekanye izo nyifato zitatu za Yezu ngo zibere akarorero abasirikare n'abajejwe umutekano mu bikorwa vyabo vya minsi yose.

**Kubona:** abahamagarira kwitegereza bakabona ibihanamiye ineza ya bose, inabi iremereye ubuzima bw'abantu, n'inkurikizi mbi indwano itera ibidukikije bikahahonera, ikibano kikononekara, imigenderanire y'abantu n'igihugu bigatituka na politike y'ibihugu igata intumbero nziza.

**Kurira mu bwato:** abasaba kuja mu bwato nk'ikimenyetso co kwitangira ubutumwa n'igikorwa cabo co guharanira ubutungane n'umwidegevyo. Bakirinda guhohotera abantu.

**Kwicara:** mu kuguma baharanira ubutungane begereye cane cane impahazwa. Yeheraheje iyo nyigisho abamenyesha ko ineza izotsinda uko bimeze kose.

Tubamenyeshe ko Liyetena Colonele Ozren Lukenda wo muri Libiya yaserukiye abandi akenguruka iyo ndinganizo, yongera yemeza ko ivyiza bakuye muri urwo rugendo bizobafasha guharanira amahoro aho bazoba bari hose, bakamana umwizero kuko udatetereza.

*MSV M Goreth Ndikumana*